## Urutonde Rw'ibijanye no Kumva no Kuvuga

(gufasha gukurikirana ingene umwana wawe yumva)

### Kuva amavuko gushika ku mezi 3

- ☐ Aratuza iyo yumvitse urusaku n'amajwi amenyereye
- ☐ Arikanga canke agasimbuka iyo yumvitse urusaku rutunguranye

### Amezi 3 gushika 6

- ☐ Arahindukiza umutwe canke amaso uruhande aho amajwi yakunze kubaari
- ☐ Asa n'uriko arumviriza
- ☐ Aravyuka vyoroshe iyo yumvitse amajwi
- ☐ Atangura kugira urusaku rumeze nk'imvugo

### Amezi 6 gushika 12

- ☐ Aratahura amajambo yoroshe, akarorero 'oya' & 'bayi-bayi'
- ☐ Atangura kwigana amajwi y'imvugo (speech sounds)
- ☐ Arahindukiza umutwe amajwi yoroshe

### Amezi 12 gushika 18

- ☐ Aboneka yuko atahura amajambo arenga buri ndwi
- ☐ Iyo asabwe, atunga agatoki abantu, íbice vyumubiri canke ibikinisho
- ☐ Arakurikira amabwiriza yoroshe avuzwe akarorero 'icara'
- ☐ Avuga amajambo abiri canke atatu nyayo akarorero 'ball' (umupira), 'dog' (imbwa), 'car' (imodoka)

## Isango rya Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) ry'umwana wanje

Umugwi wa Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) uzoshaka gusuzuma kumva kw'umwana wawe igihe runaka mbere y'amezi 12 y'amavuko. Bazoshikirana nawe gutegekanya igihe.

## Bica bigenda gute nimba tudashobora gushika kw'isango?

Nimba udashobora kuza kw'isango, menyesha Audiologist (umuhinga w'ingorane zo kumva) wawe ningoga bishoboka mbere y'isango usabe baguhe irindi.

## Bigenda gute iyo twimutse

Nimbawimukiye mu undi mugi canke gisagara, hamagara serivisi yawe ya Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) kandi bazoshobora kukubwira ikwegereye.

## Kuyandi makuru kuri Healthy Hearing Program (Gahunda yo Kumva Gufise Amagara Meza), sikana QR Code.

Nimba amirondoro yawe ahinditse canke aho ubarizwa hahindutse, turagusavye umenyeshe serivisi yawe ya Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva), kugirango bashobore kukumenyesha amasango.

Nimba ntaco wumvitse kiva ku mugwi wawe wa Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) igihe umwana wawe akwiza umwaka umwe w'amavuko, shikirana na serivisi yawe ya Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) gutegekanya isango.

Ingene amatwi yumva bishobora gusuzumwa ku mezi canke imyaka iyo ariyo yose y'amavuko. Nimba utarungitswe kwa Audiologist (Umuhinga w'Ingorane zo Kumva) kandi ufise amakenga kubera ingene umwana wawe yumva, vugana na muganga w'ikibondo cawe kubijanye kurungika umwana wawe bapime ingene yumva.

# Healthy Hearing Program

## Gahunda yo Kumva Gufise Amagara Meza




# Your Baby's Follow-Up Hearing Check

## Isuzuma Rikurikirana Kumva Kw'Uruyoya Rwawe

Ingene umwana yumva bishobora guhinduka uko igihe kirengana.

Aka gatabo karasigura kuberiki aringombwa ko abana bamwe na bamwe bagomba gukorerwa irindi isuzuma ry'ingene bumva bitarenze **Umusi mukuru wamavuko wabo wambere**, canke hakiri kare buzuza indwi **6 z'amavuko** kubera ibintu biteye amakenga vyatahuritse.

Queensland Government

Vyasubiwemwo 2024

# Healthy Hearing (Kumva Gufise Amagara Meza) n'ikintu nyamukuru gituma umwana wawe amenya ururimi & n'imvugo kuva ku mezi ya kare cane yo buzima.

## Ikibondo canje caratsinze isuzuma ryo kumva kw'uruyoya rukivuka (newborn hearing screen). Kuber'iki kikeneye irindi isuzuma ryo kumva (hearing check)?

Ikibondo cawe gifise ikintu kitera ivyago kimwe canke vyinshi bishobora kwongera amahirwe yo kuzana gutakaza kumva (hearing loss) igihe kiriko kirakura.

Nimba ikibondo cawe gifise ibintu bitera ivyago ivyo arivyo vyose bazokorerwa isuzuma ryo kumva ritomoye mundwi **6 z'isuzuma** ryabo ryo kumva ry'umwana ukivuka (newborn hearing screen):

- Umugwi w'ibimenyetso bifise isano no gutakaza kumva
- ingorane z'imiterere yo mutwe/mumaso akarorero umunwa wo hejuru usadutse

Nimba kimwe canke vyinshi mu bintu bitera ivyago biriho ikibondo cawe kizokorerwa isuzuma ry'ingorane zo kumva (Audiology screening) bitarenze **Umusi mukuru wamavuko** wabo wambere (**1st birthday**):

- Amateka yo gutakaza kumva mu muryango. Ibi bisigura abavyeyi canke abavukanyi b'uruyoya batumva kuva mu buto
- guhura n'indwara runaka igihe c'imbanyi canke co kuvuka
- ingorane zikomeye zo guhema igihe co kuvuka

Naho ari igitigiri gitoyi c'abana bafise ibintu bivyago ugira amahe-rezo yo gutakaza kumva, ningombwa gukora ir'isuzuma ryo gukurikirana hamwe n'umugwi wa Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva).

## Ikibondo canje gisa n'igisubiza iyo cumvise urusaku. Ndacakeneye ibipimo vyo kumva vyinkurikizi?

Abana benshi bafise gutakaza kumva baracumva no gusubiza iyo bumvise amajwi runaka. Kubwivyo, gutahura itakazwa ryo kumva ntigushoboka hatabaye igipimo nyaco.

> Gutahura itakazwa ryo kumva hakiri kare biha umwana wawe akaryo ko kwiga imvu-go n'ururimi. Ningombwa ku kwiga kwabo kuzoza, kubaho neza kwabo mu kibano n'umuvyiyumvo vyumutima.

## N'iki gishika kuri Audiology (Icigwa c'In-gorane zo Kumva)?

Umugwi wa Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) uzosuzuma ibice bitandukanye vya hearing system (gahunda yo kumva) y'uruyoya rwawe. Bazosigura buri isuzuma n'inyishu igihe c'isango.

Ibipimo bizemeza nimba umwana wawe afise kumva kuhagije kugi-rango ashobore kumenya ururimi n'imvugo, canke yatakaje kumva.



> Ikibondo cawe gishobora guken-era isango rimwe canke abiri kuronka inyishu.

## Umugwi wa Audiology (Icigwa c'Ingo-rane zo Kumva) urimwo:

Audiologist n'umuhinga muvyokumva (hearing specialist) ufise ubuhinga n'ibikoresho vyo gukora isuzuma ryo kumva ataco asigaje. Allied Health Assistant (Umufasha Mubuvuzi butari bwa Muganga) canke Audiologist Assistant (Umufasha wo Muhinga w'Ingorane zo Kumva) wigishijwe gukora ibipimo vyo kumva.

## Isuzuma ryo kumva rizotwara amahera angahe?

Serivisi za audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) zitangirwa mu mavuriro ya reta k'ubuntu kandi ziraboneka ku banai bemerewe **Medicare**, naho boba baravukiye mu bitaro vya reta canke vy-igenga.Hashobora kuba amahera atangwa ku bibondo bidafash-wa na Medicare.
Nimba uhisemwo kuja ku mu Audiologist (Umuhinga w'Ingorane zo Kumva) wigenga, tugusavye uvugane nawe mbere y'isango.

Ugukorera isuzuma ashobora kuguha amirondoro ya serivisi za Audilogy (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) mu karere kawe.

## Bigenda gute nimba ikibondo canje kitumva?

Nimba ikibondo cawe **catakaje vyagateganyo** kumva, umug-wi wawe wa Audidology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) uzoshaka kwongera kukibona. Nimba gutakaza kumva vyagateganyo kutoroha, umugwi wa Au-dilogy (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) uzorungika umwana wawe kubonana n'umuhinga wa Ear Nose and Throat (ENT) (Ugutwi Izuru n'Umuhogo).

Nimba umwana wawe **yatakaje kumva burundu**, umu Audio-lo-gist (Umuhinga w'Ingorane zo Kumva) wawe azomurungika kuri bamwe canke bose b'aba bakurikira:

- Childhood Hearing Clinic (Kiliniki yo Kumva Y'Ubuto)
- Ear Nose and Throat specialist (Umuhinga w' Ugutwi Izuru n'Umuhogo)
- Paediatrician (Muganga W'abana)
- Hearing Australia, kuhabwa ibifasha kumva
- Healthy Hearing Family Support (HHFS) (Ubufasha ku Mury-ango Kumva Gufise Amagara Meza (HHFS))
- Izindi serivisi za gihinga nkuko bikenewe.

HHFS izofasha no kukuhuza n'izi serivisi.

> Nimba ugize amakenga kubijanye no kwiga kw'um-wana wawe, urashobora guhamagara umugwi wawe wa Audiology (Icigwa c'Ingorane zo Kumva) kuronka isango hakiri kare.